# Ubuyobozi Bunyarutsa: Ibikorwa Vy'amagara y'Amenyo (Dental Health Services (DHS))

Nkumutanga bikorwa vy'amagara y'amenyo  mukuru wa leta muri Western Australia (WA) uhabwa amahera  na leta y'intara, DHS yatangujwe muri 1926 igihe umuganga wa mbere wa leta yahawe akazi n'Igisata c'Amagara ca Leta.

## Ibikorwa vyacu

Dental Health Services (DHS) iha abantu ba Western Australia  ibikorwa vyukuvura amenyo biciye ku mirongo y'ibikorwa ikurikiye:

## School Dental Service (SDS) (Igikorwa c'Ubuvuzi bw'Amenyo c'Amashuri)

School Dental Service (SDS) (Igikorwa c'Ubuvuzi bw'amenyo c'Amashuri) ni progarama y'amagara ya leta kandi itanga ubuvuzi rusange bw'amenyo ku buntu ku banyeshuri biga mw'ishuri ryemewe ry'Igisata c'Uburezi ca Western Australia bafise hagati y'imyaka 5 gushika 16 canke gushika kwiherezo ry'umwaka 11.

SDS itangwa muntara yose biciye kubigo bishinzwe canke vyimuka bitanga ubuvuzi bw'amenyo (dental therapy centre (DTC)) biba mu mashuri amwe n'amwe.

Abanyeshuri bahabwa ubuvuzi bw'itango mu mwaka wambere w'ukwandikwa kandi bagashirwa ku rutonde rwabarindindiriye gusuzumwa amenyo kw'itariki muri kazoza hakurikijwe ubuvuzi bakeneye. Ubuvuzi bw'amenyo bwihutirwa buratangwa nkuko bikenewe.

## Igikorwa Rusange c'Ubuvuzi bw'Amenyo

Amavuriro rusange y'ubuvuzi bw'amenyo (General Dental Clinics (GDC)) akora hose mu mugi n'umugiturage ca Western Australia.  Atanga ubuvuzi rusange kandi bwihutirwa bw'amenyo bwahawe infashanyo na Leta ku baturage ba Western Australia bavyemerewe kubera amoronko yabo n'aho baturuka. Ibisabwa kwemererwa kuja kuri GDC kuvurwa birrimwo.

- Abafise health care kadi canke pension concession kadi kandi batemerewe SDS, na
- Abana bafise imyaka hagati ya 0 na 4 amazina yabo aboneka kuri Health Care canke Pension Concession Kadi y'abavyeyi babo.

Ubuvuzi bw'amenyo bwihutirwa buhabwa umwanya wambere kandi buratangwa nkuko bikenewe. Abarwayi bose bakeneye kuvurwa kuburyo bwihuta basabwa guterefona kiliniki yabo y'amenyo y'akarere kabo kandi basabe isango. Abarwayi bajonjorwa kugira ngo basuzume ukwihutirwa kw'ingorane yabo y'amenyo kugira ngo DHS ishobore guha umwanya wambere abarwayi bafise ingorane zikomeye cane. Turagusavye ntukaze kuri kiliniki nimba udafise isango.

Urutonde rwabarwayi barindiriye bakeneye ubuvuzi butihutirwa bw'amenyo rurakoreshwa kugira ngo habe ukunganya amahirwe yo gushikira kubera ko gusaba ibikorwa kurarenga ibikoresho bihari. GDC izomenyesha abarwayi igihe amazina yabo azoshika hejuru y'urutonde rw'abarindiriye. Nyuma yo guheza ubuvuzi bwa mbere, abarwayi barashirwa kuri Recall Waiting List (Urutonde rw'abarindiriye guhamagarwa ubugira kabiri) kugira ngo bakorerwe isuzuma rikurikura.

Bandanya kurupapuro

## Ibikorwa Bidasanzwe vy'Ubuvuzi bw'Amenyo

Ubuvuzi bw'amenyo bwatangiwe imfashanyo y'amahera na Leta buratangwa kuri iyi mirwi y'abarwayi ikurikira:

- Abaturage bemenye bo mu bigo bita ku bageze mu za bukuru vy'umumugi bahabwa kubuntu isuzumwa ry'amenyo buri mwaka.
- Imbohe mu bigo vyo mu migi n'ivyo mubiturage bikuru bikuru vy'iGisata c'Ibikorwa vyo Gukosora (muri rusange kiliniki zo muri gereza)
- Abantu bemerewe bafise ubumuga bwo gukura nabi bufadikanye n'ubumuga bw'umumutwe canke gukomereka mu bwonko kwihariye.
- Abarwayi binjijwe mubitaro vya Graylands n'abavurwa bava hanze barungiswe na hostel zabarwayi b'umumutwe n'ibitaro vyemerewe.
- Abarwayi badashobora gutambuka bo mu migi barungiswe na muganga
- Abantu bagendera mu ntebe ifise ibiziga bafise igikomere c'igupfa ry'umugongo.

## Gahunda z'Ugutanga Imfashanyo y'Ubuvuzi bw'Amenyo

DHS kandi irafasha kugira ngo ubuvuzi rusange kandi bwihutirwa bw'amenyo bwahawe imfashanyo na Leta bushoboke ku bantu bavyemerewe kubera amoronko yabo canke aho baturuka.

- Country Patients Dental Subsidy Scheme (Gahunda yo Gufasha Ubuvuzi bw'Amenyo Ku Barwayi bo mu Giturage): Iratanga inyogera ku buvuzi bw'amenyo butangwa biciye kuri kiliniki z'amenyo za leta zo mu giturage kandi mubisanzwe ikorera mu turere tudafise uburyo bumvikana bw'ugushikira ama kiliniki y'amenyo ya leta. Ubuvuzi bw'amenyo butangwa n'amavuriro y'amenyo yigenga yemerewe na DHS.
- Metropolitan Patients Dental Subsidy Scheme (Gahunda yo Gufasha Ubuvuzi bw'Amenyo Ku Barwayi bo mu migi): igihe hari amahera ahagije, abarwayi bo mu migi bemerewe bari ku rutonde rwabarindiriye kuvurw'amenyo mu kiliniki za leta bashobora guhabwa uburenganzira bw'ukuvurwa amenyo muri rusange kuburyo butihuta bwatangiwe imfashanyo na leta mu mavuriro y'amenyo y'igenga yahiswemwo.
- Private Orthodontic Subsidy Scheme (Gahunda yo Gufasha Ubuvuzi bw'Igenga butangwa n'Abahinga mu Vy'Amenyo): ishoboza abarwayi bo mu giturage bemerewe baganirijwe na DHS kuronka ibikorwa vy'ubuhinga mu bu vuzi bw'Amenyo vyahawe imfashanyo na leta hafi mu rugo, kubera ko ibindi bikorwa vyose vyabahinga vyahawe imfashanyo na leta biba muri Perth gusa.

## Indishi n'ibiciro ku bakuru

Ibiciro vyose vy'ubuvuzi bw'amenyo bijanye na gahunda y'ibiciro vy'ubuvuzi bw'amenyo vy'Igisata ca Veterans' Affairs ca Commonwealth.

Ibiciro vy'ubuvuzi butangwa kuri kiliniki y'amenyo ya leta canke ivuriro ry'amenyo ry'igenga ryahiswemwo biratangiwe imfashanyo na leta ya Western Australia gushika kuri 75% itarengwa y'igiciro cubuvuzi, hakurikijwe amaronko yabo ya Centrelink. Igice gisigaye cigiciro n'amabanga y'umurwayi kandi azohabwa fagitire. Abarwayi bafise amadeni ntibazoshirwa kurutonde rwabarindiriye kuvurwa canke ntibazohabwa isango ry'ubuvuzi butihutirwa.

## Abaturage mu turere twa kure

Mu turere twa kure aho DHS ivura amenyo yo nyine, abarwayi bose bashobora gushikira ubuvuzu bw'amenyo kuri kiliniki z'amenyo za leta. Abarwayi batemerewe guhabwa ubuvuzi bwatangiwe imfashanyo na leta bagomba kwishura igiciro cose.

## Kuzindi nkuru turagusavye uyage na muganga wawe w'amenyo

### Wipfuza izindi nkuru canke gutanga iciyumviro ciwawe?

Uru rwandiko rushobora kuboneka muri formats zubundi bwoko nka braille, audio tape canke muburyo bwa elektroniki bisabwe.

Communications Officer, Dental Health Services
Locked Bag 15, Bentley Delivery Centre, WA 6983

(08) 9313 0555

publications@dental.health.wa.gov.au

**www.dental.wa.gov.au**

Ishusho izo arizo zose zikoreshejwe muri uru rwandiko nikubera gutanga akarorero gusa, kubera ko ziratanzwe nk'ubuyobozi muri rusange.

CONSUMER REVIEWED

HealthyWA Health information for Western Australians

© 2020 Dental Health Services WA. All rights reserved.

DHS176 V 09/22_Kirundi